Uwuzobona muri mwebwe ikibi gisasiwe indava, araheza akibuze akoresheje inguvu z'iminwe yiwe; nibitamushobokera ku nguvu z'iminwe, araheza akoreshe ururimi maze yamame; nibitamushobokera gukoresha ururimi, araca yanka yankirize nya kibi ku mushaha wiwe, ukwo kucanka ku mushaha rero, ni kwo kwemera kugoyagoya

Mu vyakiriwe na Abu Sa'iid Al-Khudriy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Uwuzobona muri mwebwe ikibi gisasiwe indava, araheza akibuze akoresheje inguvu z'iminwe yiwe; nibitamushobokera ku nguvu z'iminwe, araheza akoreshe ururimi maze yamame; nibitamushobokera gukoresha ururimi, araca yanka yankirize nya kibi ku mushaha wiwe, ukwo kucanka ku mushaha rero, ni kwo kwemera kugoyagoya"".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) abwiriza umwislamu ko ategerezwa kubuza ikorwa ry'ikibi "al-mun-karu"; ikibi na co kikaba ari kirya kintu cose cabujijwe n'Imana Allah n'Intumwa yayo, iryo buza ry'ikibi rero rigakorwa hisunzwe uburyo n'ububasha umwislamu afise; aramutse rero abonye ikibi gisasiwe indava, abwirizwa kubuza ko gikorwa akoresheje inguvu z'iminwe mu gihe yoba abishoboye; bimunaniye kubuza nya kibi akoresheje inguvu, araheza akabuza kugikora mu kwamama yibutsa uwagikoze ingaruka mbi comugirira, anamwerekeza gukora ivyiza ha gukora ibibi; bimunaniye kubuza nya kibi mu kwamama ahanura; aca acanka akacankiriza ku mushaha wiwe mu kwiyemeza ko iyo aza kuba ashoboye kukibuza, yokibujije. Ukwanka n'ukwankiriza ikibi ku mushaha rero, ni rwo rugero rwo hasi rubaho mu kubuza ikorwa ry'ikibi.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65001